

# RY'ABASHAKASHATSI

# IMANA IMEZE GUTE?

## Igice Ca 1

**Amahoro !**
*Mbega warigeze wiyumvira uko I imeze? Imana irakom cane kandi irahebuje ku buryo tudashobora kumenya ivyayo vy Imana yaduhaye igitab gitangaje kitubwira ivyayo.*

**Ico gitabo ni icahe?** Ni Bibiliya, ari yo Ijambo ry'Imana. Bibiliya itubwira ko Imana yaremye ibintu vyose. Yaremye amamiliyoni y'inyenyeri zikayangana mu kirere, Ariko, ikiruta vyose, Imana yaturemye kugira ngo idukunde, natwe tubone kuyikunda.

Imana irazi umwe umwe muri twebwe kandi iramukunda. Iyo ukunda umuntu wifuza ko uwo muntu nawe agukunda; si vyo none?

Biranezera Imana iyo twifuza kuyimenya no kuyikunda. Kumenya Imana no kuyikunda, ni co kintu ciza kuruta ibindi twoshobora gukora, kuko natwe bizotunezeza cane.

Mur'iki cigwa tuzobona ivyo Bibiliya itubwira ku Mana. Tuzokwiga ibintu bitanu b'ikomeye vyerekeye Imana yacu kwihebuje kandi idukunda cane.

## IMANA

ISHOBORA VYOSE

Ibi bisobanurwa ko Imana ifise ubushobozi bwose mw' ijuru no mw' isi.

Ifise ubushobozi bwo gukora vyose. Nta kintu na kimwe conanira Imana. Bibiliya iravuga iti: "kukw; ata jambo rivuye ku Mana ribura ububasha." Luka 1:37

Abami n'abakuru b'ibihugu bose ntaco bari co ubagereranije nayo. Kubera ko ifise ubushobozi, Imana ishobora gukora ivyo ishatse gukora vyose.

## IMANA

Ni Impwemu.

Warigeze kwiyumvira impamvu tudashobora kubona Imana? Impamvu tudashobora kubona Imana ni uko ar'Impwemu, kandi ntidushobora kubona impwemu.

Mu gihe Imana yakurema yaguhaye umubiri n'impwemu. Impwemu yaguhaye iba mu mubiri wawe. Abandi bantu bashobora kubona umubiri wawe, ariko ntibashobora kubona impwemu ikurimwo.

Imana n'Impwemu gusa. Ntabwo ifise umubiri nk'uwo dufise. Nico gituma tudashobora kuyibona. Bibiliya iravuga iti: "Imana ni Impwemu n'abayisenga bakwiriye kuyisenga mu Mpwemu no mu kuri". (Yohana 4:24)

Naho tudashobora kubona Imana, dushobora kuyimenya no kuyikunda. Iyo tuzi Imana, turayikunda kandi tukayinezereza.

## IMANA

Ubwiza bw'Imana burakayangana cane ku buryo tudashobora kuyiraba. Amaso yacu ntashobora guhanga imishwarara y'izuba iyo ryatse cane. Turamutse dushaka kurihanga amaso umwanya muremure, dushobora guhuma.

Ubwiza bw'Imana burakayangana cane kuruta izuba. Nico gituma tudashobora kuyiraba. Imana yaravuze iti: "…kuk'umuntu atondaba mu nyonga ngw;abeho" (Kuva 33:2

Bibiliya itubwira ivy'umuntu yitwa Mose. Mose yari incuti y'Imana cane. Yavugana n'Imana kandi Imana nayo ikavugana nawe ibihe vyinshi. Ariko ntiyigeze abona Imana.

Umunsi umwe Mose yasavye Imana ngo asangwa ngiriwe ubuntu nawe .Aravuga ati: Ndakwinginze "nyereka ubwiza bwawe . (Kuva 33:18)

Uhoroho yabwiye Mose ati: "Ntiworaba mu nyonga hanje ngo ubeho. Ariko nzogushira  mu gitandara ngukingirize urushi rwanje ..urabe  mu bitugu vyanje.." (Kuva 33:20-23).



Mose yaraduze aja ku musozi wenyene. Imana imuhisha mu gitandara. Imana icisha ubwiza bwayo imbere ya Mose. Mose ntiyabonye Imana mu maso, ariko agace gato yabonye katumye mu maso hiwe hakayangana nk'izuba.


Igihe Mose yamanuka avuye ku musozi, mu maso hiwe harakayangana, abantu batinya kumwegera. Ahubwo bose baratangara bati: N'iyihe ihwanye nawe wewe w'icubahiro kivuye mu kwera. " (Kuva 15:11)

**IMANA NI YERA**

Ivyo bisobanura ko Imana itagira agasembwa. Iratunganye kandi nta caha na kimwe kiri muri Yo. Bibiliya ikoresha ijambo umwijima, ishaka kuvuga icaha. Bibiliya ikavuga kandi ngo: "Imana ni umuco. Muri yo nta mwijima na mukeyi ubamwo. (Yohana 1:5)

Imana ni umuco n'ubwiza gusa.
Imana ni yera.  Nta gihumane canke
ikizira kiboneka mu maso yayo.
Kuko Uhoraho Imana yacu ar'Uwera. (Zaburi 99:9)

Umunsi umwe Imana yavuganye n'umuvugishwa Yesaya mw'iyerekwa. Yesaya yerekwa Imana iri ku ntebiwe y'Ubwami izungurutswe n'abamalayika biwenshi bahimbazo Imana bavuga bati: "Uhoraho Nyen'ingabo n' Uwera, Uwera, Uwera. Isi yose yuzuye icubahiro ciwe" Yesaya 6:3)



Mu gihe Yesaya yerekwa Imana, yagize ubwoba. Iryo yerekwa ryamugaragarije ko ari umunyavyaha kandi ko Imana ari yera.

## IMANA Ni Urukundo

Ibi bisobanurwa ko Imana idukunda kandi itwipfuriza ivyiza biruta ibindi .

Mbega twomenya gute ko Imana idukunda? Hari uburyo bubiri:

- Turabizi kuko Imana ibivuga. Mw'Ijambo ryayo Imana iravuga iti: "Nagukunze urukundo rudashira" (Yeremiya31:3
- Turabizi ko yatanze umwana wayo w'ikinege ngo adupfire.

Ushobora kwibazo uti: "Mbega Imana izi ibintu vyose navuze n'ivyo nakoze?" Ego Imana irabizi ariko iraca gukunda n'umutima wayo wose. Iragukunda mu bihe vyose vy'ukubaho kwawe."

Imana yerekanye urukundo rwayo rukomeye kuri twebwe itanga umwana wayo, Umwami Yesu kugira ngo apfire ivyaha vyacu ku musaraba – ibintu bibi twavuze; twokoze;n'ivyo twakoze. Bibiliya iravuga iti: "Imana yatweretse urukundo rwayo idukunda; kuko Kristo yadupfiriye tukir; abanyavyaha". Abaroma 5:8

Umwami Yesu yapfiriye ivyaha vyawe. Ariko urupfu ntirwashoboye kumugumya. Yarazutse ava mu mva ku munsi ugira gatatu. N' Umucunguzi yazutse kandi ni muzima! Imana irashaka ko umwizera nk'Umucunguzi wawe, yapfiriye ivyaha vyawe, hanyuma akazuka ngo akubere Umukiza.


Uzi ico Imana igushakako kuruta ibindi? Irashaka urukundo rwawe, irashaka ko uyikundisha umutima wawe wose. Imana iranezerwa iyo uhisemwo kuyikundisha umutima wawe wose. Biboneka muri Bibiliya ko umwami Dawidi yari umuntu akomeye . Yahisemwo gukunda Imana. Yaravuze ati: “Ndagukunda, Uhoraho we, niwewe nkomezi zanje! Zaburi 18:1

Aya majambo yashimishije Imana, kandi bizoshimisha Imana cane nuhitamwo kuyikunda nka Dawidi. Raba isengesho ryo kugufasha:

*Gute wewe!*

*Mbega woshima kwifatanya n’ishengero ryizera Kristo kugira ngo urusheho kumenya ivyerekeye Imana?*

*Ico wokora ni ukongera gusoma iki cigwa, hanyuma ukuzuza urupapuro rw’ibibazo, hanyuma ukaruturungikira ucishije mw’iposita. Ubwo rero uzaba ubaye umunyamuryango wa Mailbox, ufatanye n’ibihumbi vy’abahungu n’abakobwa kw’isi yose.*



*Tuzashira amanota ku rupapuro rwawe rw’ibibazo hanyuma turukurungikire ruri kumwe n’icigwa gikurikira.*

*Mu gihe uzaba urangije ivyigwa cumi, tuzokurungikira impamyabubushobozi iriko amazina yawe.*

*Nuko rero turagusavye uzoje urungikea urupapuro rwawe rw’ibibazo bidatevye. Turashaka ko uba umunyamuryango wa Mailbox.*

“Mwami, ndashaka kugukundisha umutima wanje wose. Mfasha kugira ngo ndusheho kukumenya. Urakoze kubera urukundo rwawe umfitiye rwatumye utanga umwana wawe, Umwami Yesu Kristo, kugira ngo apfire ivyaha vyanje ku musaraba.”

## Umurongo wo gufata mu mutwe



# URUPAPURO RW'IBIBAZO
# ABASHAKASHATSI 1 – ICIGWA CA 1

**AMATEGEKO: Toranya inyishu ikwiriye – (a) canke (b)**
**Andika mu kumba kabigenewe**

Akarorero : Mw' ijuru ni ahantu hari:
☐ a.
b.




**1. Iyo Bibiliya ivuga ngo Imana ishobora vyose, bisobanurwa ngo:**
☐ a. Imana ifise ubushobozi bwinshi mw' ijuru no mw' isi
b Imana ifise ubushobozi bwose mw' ijuru no mw'isi




2. **Ntidushobora kubona Imana kubera ko:**
☐ a. Imana ari Mpwemu kandi tudashobora kubona Mpwemu
b. Imana iri kure cane ku buryo tudashobora kuyibona.




**3. Iyo Bibiliya ivuga ngo Imana ni iyera, bisobanurwa ngo:**
☐ a. Imana ni nziza cane
b. Imana nta kanenge ifise, iratunganye, nta caha na kimwe ifise.

**4. Tuzi ko Imana idukunda kubera ko:**
☐ a. Yaduhaye umwana wayo kugira ngo apfire ivyaha vyacu vyose.
b. Twiyumvira ibintu kimwe nuko ibigira.




**5. Ico Imana idushakako kuruta ibindi**
☐ a. Urukundo rwacu.
b. Kugira ngo dukore ibintu vyiza.

Andika hano umurongo
wafashe mu mutwe

**NOSHOBORA GUTE KUBA UMWANA W'IMANA ?**

EMERA KO URI UMUNYAVYAHA

IZERE YESU NK'UWAPFIRIYE IvYAHA VYAWE
HITAMWO YESU AKUBERE UMUKIZA
Ntiwibagire
1) Emera
2) Izere
3) Hitamwo

Mwami Yesu nicujije ivyaha vyanje n'umutima umenetse. Ndemera ko uri umwana w'
Imana kandi ko wapfiriye ivyaha vyanje. Ubu nkwakiriye nk'Umukiza"

Amazina ______________________ Igihe yavukiye ______________________
Imyaka ______________________ Amanota ______________________
Umuvyeyi/Uwumuuhagarariye ______________________